# Ivyo aba LGBTQ+ b'i Vermont bakeneye

VERMONT DEPARTMENT OF HEALTH

**Rusama 2024**

Isuzuma ry'umwaka wa 2024 ryerekeye Amagara y'abantu muri iyi Reta ni incamake y'ivyo tuzi ku bijanye n'amagara n'ukubaho neza vy'abantu i Vermont. Iri tororokanywa ritoya ry'amakuru rirerekana ivyo basanze mu makuru y' ibijanye n'ubuzima bw'aba LGBTQ+ baba Vermont. Harimwo amakuru avuye mu yashobora kubonwa na bose hamwe no mu mahuriro y'ibiganiro n'ibiyago vyatanzwe n'abafatanyabikorwa bo mu karere hamwe n'abantu babifisemwo ubumenyi.

## Ivyagaragaye nyamukuru

- Abanyagihugu b'abatinganyi muri Amerika bamaze **kwiyongera incuro zibiri mu myaka 10 iheze** ariko kenshi amakuru aberekeye aba ari make cane mu matohoza yegeranya amakuru ku rwego rw'igihugu. Ibibazo bijanye n'ubwoko bw'igitsina hamwe n' amahitamwo yawe y'abo muhuza ibitsina ntibikunda kubazwa kenshi. Ibi bishobora kugira ingaruka mbi zo kudatahura neza ibikenewe mu bisata vy'imibano, imico, n'amagara y'abantu.

- Muri 2021, **ibice 10 kw'ijana vy'abanya Vermont** biyitirira ko bari mu muryango w'abahuza ibitsina babisangiye (LGBTQ+). Ibice 6 kw' ijana bavuga ko bari abakunda ibitsina vyose, ibice 2 kw' ijana bavuga ko ari abigeme bakunda abigeme nkabo/ abagabo bakunda abagabo nkabo,ibice 2 kw' ijana bafise ibindi bakunda ,hamwe n' igice 1 kw' ijana vy'abahinduye igitsina.

- Abanyeshure b'abirabure bo mu muryango LGBTQ+ bashobora **kugira ibibazo vy'inzara hamwe n' uburaro** incuro zitatu gusumba abazungu b' abanyeshure atari abakoresha ururimi rw'iki Esupanyore.

- Abantu bo mu muryango  LGBTQ+ muri Vermont **bahura n'ivangura mu buryo bwinshi**, bifise ingaruka ku magara y'umubiri, ayo mu mutwe hamwe n'ugukoresha ibiyayuramutwe.

**"Bisa nk' ikintu gisanzwe, ariko iyo umuntu akwitirira igitsina kitari co igihe cose, iyo wumva ko babikora n'impaka, uca wumva ko igisata c'ubuvuzi kidashaka kugufasha n'impaka mu kukuronsa  ubuvuzi bubereye."**

- Mu rwaruka rwo mu muryango LGBTQ+, igipimo co hejuru c'uguhahazwa n'ivangura gishobora gutuma **rwikumira kandi hakabura ugushigikirwa nk'abandi.** Izi ngaruka zigabanuka iyo hariho abantu bakuze babashigikira hamwe n'ahantu abo bantu bokwumva bisanzuye, hari umutekano.

- Abantu bakuze bari mu muryango w'aba LGBTQ+bashobora  **gucerwa kuronka ubuvuzi** kubera buzimvye ugereranije n'abanya Vermont batari muri uwo muryango w'aba LGBTQ+ (ibice 13 kw' ijana ku bice 5 kw' ijana).

**"Sindashobora kuronka abatanga ubufasha bwo mu mutwe batahura ibibazo abahinduye igitsina bahura navyo. Ibi biragoye cane kuko sinshaka kurinda kwigisha uwutanga ubufasha no kwishura ku bibazo vyinshi vyerekeye uwo ndi we."**

## Ivyo aba LGBTQ+ b'i Vermont bakeneye

- Mu myaka iheze, igitigiri c' abo mu muryango w'aba LGBTQ+**batagira uburaro**cariyongereye cane.
- Ukubura **kw' abatanga ubufasha bw'ubuvuzi bw'indwara z'umubiri n'izo mu mutwe** ku muryango w'aba LGBTQ+ gutuma amaseruvisi menshi atakira neza, bigatuma benshi badashaka kurondera ubufasha bakeneye.

---

**"Iyaba imiryango yariko irakoresha izina n'insigarirazina biranga umwana, bokeneye cane rwose imiti? Nimba imiryango aba bana babamwo babakira uko bari...bohuye n'urugero nk'uru rw'umwiheburo?**

---

- Urwaruko rwo mu muryango w'aba LGBTQ+ i Vermont rurahura n'**ibibazo vyinshi vy'ibigumbagumba** ugereranije n' urundi rwaruka rwose rwo muri Vermont:
    - Kwumva ufise umubabaro canke utagira icizere hafi imisi yose (ibice 52 kw' ijana ugereranije n' ibice 21 kw' ijana.
    - Kwumva uhangayitse canke ufise ubwoba hafi igihe cose (ibice 62 kw' ijana ku bice 27 kw' ijana)
    - Kugira amagara mabi yo mu mutwe hafi igihe cose (ibice 59 kw'ijana ku bice 35 kw'ijana)
    - Abashatse kwiyahura mu mezi 12 aheze (ibice 14 kw' ijana ku bice 7 kw' ijana)
- Hariho itandukaniro rinini **mu magara y'umubiri n'ayo mu mutwe** no ku bantu bakuze bo mu muryango w'aba LGBTQ+

| | Gushikiriza amakuru nabi Amagara yo mu mutwe | Ufise ibimenyetso vy' ihungabana Indwara | Ufise Ubumuga | Ufise Asima | Kwiyongera kw' ibiyayura mutwe vya vuba Kunywa |
|---|---|---|---|---|---|
| Amerika Yose | Ibice 15 kw' ijana | Ibice 19 kw' ijana | Ibice 29 kw' ijana | Ibice 10 kw' ijana | Ibice 15 kw' ijana |
| Abantu bose b'i Vermont | Ibice 16 kw' ijana | Ibice 25 kw' ijana | Ibice 25 kw' ijana | Ibice 12 kw' ijana | Ibice 17 kw' ijana |
| **Abo mu muryango w'aba LGBTQ+ i Vermont** | **Ibice 31 kw' ijana** | **Ibice 45 kw' ijana** | **Ibice 34 kw' ijana** | **Ibice 20 kw' ijana** | **Ibice 23 kw' ijana** |

---

**"Ihinduka ry'ibihe rifise ingaruka nyakuri ku bibazo vy' ubuzima bwo mu mutwe no mu myumvire yo kwiyahura. Mu gihe abakiri bato biyumvira kazoza bakitegura, babona bakuru babo bari hafi bariko bakora ibikorwa bike cane, ntibafata ibi bibazo nk' ibihambaye. Kandi ibi bitera ukwiyumvira cane"**

---

*Dufatanije na:*

C4BHI

## Ivyo turabirako:

- Ubusumbasumbane mu bijanye n'amagara ku rwego rw'akarereIgisata c'Amagara y'Abantu ca Kaminuza ya Wisconsin. Ibikoresho birimwo:
    - Amatohoza n'Amakuru vyerekeye Amagara y'Abantu vy'Igisata c'Amagara y'Abantu VT Department of Health Population
    - Ishami ry'Amakuru yo mu Gisata c'Inyigisho hamwe n'ivyegeranyo
    - Igitabu kijamwo amakuru y'ivya Kanseri i Vermont
    - Ikigo c'i Vermont c'Amakuru Yerekeye Ivyaha
    - Gukurikiranira Hagufi Amakuru Yerekeye Amagara y'Abantu n'Ibidukikije mu Gisata c'Amagara y'Abantu c'i Vermont
    - Ibiro vy'i Vermont vy'umutekano w'amabarabara makuru ya Reta.
    - Ibijanye n'incanco i Vermont
- Ikigega c'amakuru CARES, Kaminuza y'i Missouri. Amakuru ava ahantu hatandukanye, harimwo:
    - Ibiro vya Rusansuma vya Reta Zunze Ubumwe za Amerika
    - Amatohoza Akorwa ku Bantu bo muri Amerika (ACS)
    - Ibigo Bijejwe Kurwanya no Gukinga Indwara (CDC)
    - Ubushikiranganji bw'Uburimyi n'Ubworozi muri Reta Zunze Ubumwe za Amerika (USDA)
    - Ubushikiranganji bwo kwiyunguruza
    - Ibiro bikuru vy'Iperereza vya Amerika
- Ubuhinga bwo Kugenzura Ibishobora Gutuma haba Ingorane ziva ku Nyifato (BRFSS 2021)
- Amatohoza yerekeye Ibituma haba Ingorane zijanye n'Inyifato mu Miyabaga
- Igisata c'Amagara yo mu Mutwe Imbonakazoza y' 2030
- Raporo y'Ibijanye n'Ukunganya Amahirwe mu Gisata c'Amagara y'Abantu mu Mugwi w'Ubuhanuzi bw'Urwarukaku Rwego rw'Igihugu
- Ukurenganywa gukorerwa abanyeshure b'abirabure bo mu muryango w'aba LGBT Ndamukiza 2022